Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

August / Myandagaro2019 *kirundi*

Ni mwe muzombera ivyabona

(Ivyahishuwe 1,8)

Ba icabona canje !
Be my witness !

Bakunzi b'Ijambo !

Ntivyamworoheye namba guheba igihugu c'amavukiro agiheza amashure yisumbuye, akinjira nk'ikitazi mu kandi karanga gashasha. Yari yubuye ubuzima bwiwe nk'ingabire yashaka guhinguramwo ikintu kinini kandi guhambaye. Iyo ntumbero yaramufashije mu bihe bigumye kandi vy'ubunyakamwe, kuguma atera intambwe aja imbere. Eka mbere n'ukwemera kwiwe yari yagendeye kuva akiri muto, yahavuye agutegera ku buryo bushasha. Yaratahuye ibintu ku buryo bworoshe .Mbere no mu bihe bigoye vyamushikiye kenshi, ntiyumva ko ari wenyene. Hari uwaza aramuherekeza mu nzira ziwe, akamuha n'ingoga zo kudatana n'akabando. Nico mbere cahavuye kiba icivugo ciwe, ati « ntukigere uheba » Don't give up! Aho naho nyene hari icigwa gishasha ko amajambo Yezu yavuze haciye imyaka 2000 akayibwira abigishwa biwe ko n'ubu agitanga ubuzima nka kera. Kugira ivyo biranguke, vyava kuri we, ko yaba afise umutima wugurutse canke atawufise.

Ico gihe yari yatumiwe mw'ishure mpuzamakungu ryo mu ci mw'izinga ryo mu Bugreki. Urwaruka rwinshi ruva mu mihingo myinshi kandi rubona ibintu ku buryo bwinshi, rwari rwatumiwe ngo ruganirire hamwe ivyerekeye kazoza k'Uburaya. Vyasaba rero ugushaka gukomeye kugira ngo umuntu yitabe iryo hwaniro. Yahavuye rero atora kuja mu murwi w'ibikorwa wiga ivyerekeye irema, nk'uko tubisanga mu nyandiko yitwa « Laudato si ». Muri uyo murwi hahwaniyemwo vy'ukuri abantu batabona ibintu kumwe. Mbere bamwe bishinga guharira, badashobora gushika ku kintu kiboneka. Haza rero hagera ko hashikirizwa ivyavuye mu mirwi. Amela, ariwe yaserukiye umurwi wacu, arageragеza kwubaka ikiraro kinywanisha ivyiyumviro vyacu. « Mu nyuma vyambereye ikintu gihambaye, ko nashoboye gutegera no gusengesha ico gisabisho giteye igomwe cerekeye irema Papa Fransisko yahinguye. Ariko ntabeshe, ivyo nabigira mu kindi gihe batariko barashikiriza ibiganiro bateguye. « Niho yadutumirira mu gusozera ko twoja imbere y'isengero, kugira ngo tuvugire hamwe ico gisabisho. Ese ukuntu yatangaye abonye abari aho bose - Abemera n'Abatemera - bitavye ico gisabisho. Bashaka kuhaba kugira ngo basangire akanyamuneza k'ico gihe. Ico gisabisho kirangiye, niho haza umunyeshure w'umwigeme ava muri Ukraine, avugana amosozi atembera mu maso ati : « Ndahimbawe cane n'uko washize ikinya ukadufasha kuvuga ico gisabisho. Kuri jewe kabaye akanya keza cane muri iyi ndwi yose. Ndagushimiye n'umutima wanje wose !!! »

« Nimwe muzombera ivyabona », uko niko Yezu yari yemereye abakunzi biwe, aca abahana n'ubukomezi bwa Mutima Mweranda. Uko niko Yezu nawe akubwira ati **: ba icabona canje! – Be my witness**

Ku bwa OnWorldTeam Meinolf Wacker